# Inyigisho z'Incabwenge Karuhariwe n'Abanyempano mu mashure ya reta i NSW — indongozi kuku bavyeyi n'abarezi

Inyigisho z'Incabwenge Karuhariwe n'Abanyempano (High Potential and Gifted Education (HPGE)) zifasha abanyeshure bose mu mashure ya reta i NSW kuronswa inyigisho z'akanovera mu bikenewe mu kwigishwa kwabo. Ziri inzego zine (amoko) y'impano: irema, ikoreshabwenge, umubiri n'imibano.

## Inzego 4 zishoboka

Imigwi y'impano ni amoko 4 makuru y'ingabire kama abantu bogira. Kenshi zirinjiranamwo kandi zirakorana. Ngizi izo nzego:

**Urwego rw'irema** – rwerekeye ukubá uwushoboye gukoresha ivyiyumviro, ukurema bishasha n'ukuzana ivyiyumviro bishasha. Mu bana, ubwo bushobozi buserukira mu buryo bandika inkuru ngufi, indirimbo, igicapu ikosorwa ry'igiharuro, intambo yisa.

**Urwego rw'ikoreshabwenge** – ni urwo gutahura ivyiyumviro bigoye, gukora ubupfindo n'ikoreshabumenyi. Hariho umwana yiga vuba kandi vyoroshe, akanerekana ugutahura kwimbitse ivyiyumviro, ubushakashatsi; ibitabu.

**Urwego rw'umubiri** – rwerekeye ubukerebutsi kama mu gukoresha umubiri. Nk'ukwinonora, ukubarira, ugusakara canke ubuhinga mu nyubako. Ubwo bukerebutsi buserukira mw'isomero no mu nkino, no mu bikorwa vy'ishure n'ivyo ikibâno bitari ivyigwa n'amahiganwa.

**Urwego rw'imibano n'ibishobisho** – rwerekeye ubushobozi bwo gukoresha neza ibishobosho vyabo n'ukwifatanya n'abandi kwabo. Ubwo buhinga buserurwa n'imigenderanire n'abo bigana, abigisha, n'abavyeyi canke abarezi. Nk'umwana usanga yiyemera kandi ashoboye kurōngōra abandi n'ugukorana na bo, canke kudandaza.

## uko amashure yitaho abiga ari incabwenge n'abanyempano cane

Impano z'umwana zishobora guhinduka, rero hakenerwa ugufashwa n'ukwigishwa mu buryo butandukanye:

**Abanyeshure bashoboye** ni abo bose ugushobora kwabo kurengeye ukwo abo bangana, maze bakunguka mu guhabwa ibigoye kurushiriza.

**Abanyeshure b'abanyempano** barashoboye cane ugereranije n'abo bangana kandi bakuza impano yabo vuba iyo bahawe amahirwe.

**Abanyempano karuhariwe** baba bafise  ugushobora kudasanzwe kandi bashobora gukenera ibitamenyerewe mu kwiga kwabo ku rwego rwo hejuru.

Amashure arashigikira abanyeshure bashoboye n’abanyempano kăruhariwe mu ngiro n’integuro zitandukanye. Izo na zo zirimwo nk’izi:

- ivyigwa bigumira bikanakabura abiga
- ibikorwa vyo kubungura n’integuro ziyongera ku ndinganizo zisanzwe z’ivyigwa
- gushira abanyeshure mu migwi bahuriramwo n’abo bahuje impano
- uburyo buhanitse bwo kwiga nk’ukunyarutsa (kunyarutsa integuro y’ivyigwa) igihe ari vyo bibereye
- gushigikirwa mu kumererwa neza n.

Intumbero ni ugufasha abanyeshure kuva ku mpano zidasanzwe bakaja ku kuzikoresha bidasanzwe, mu buhinga ubushakashatsi, imyuga n’ibiharuro, indimi, utugenegene, kwinonora, uburongozi n’ibindi.

## Umunyeshure wese arisa

Abanyeshure b’impano kăruhariwe bava hose, n’abagendana ubumuga n’abavuga indimi zitandukanye. Bamwe ni inkerebutsi mw’ishure, abandi bakeneye gufashwa ngo bisununure. Haragwiriye ukudatahura ko abanyeshure b’abanyemapano bakeneye gufashwa nk’uko hariho n’abakeneye gufashwa ngo bagumize imitima ku kuba inkerebitsi kw’ishure.

## Wokora iki mu gihe wibaza ko umwana wawe ari inkerebutsi cane?

Asangwa wibaza ko umwana wawe ari inkerebutsi, bivuganeko n’umwigisha wiwe. Uvuganye n'umw’igisha, igore utange uburorero bw’ivyo umwâna wawe akora vyerekana ubushóbozi budasanzwe canke impano kăruhariwe mu rwego rumwe n’urundi.

Abavyeyi n’abarezi bafise uruhara rudasanzwe rwo kwitaho ukwiga kw’umwana, guserura ibiranga umwana n’ugukorana n’ishure.

## Intumbero ya HPGE

Integuro Inyigisho z’Incabwenge Karuhariwe n’Abanyempano zigenewe Incabwenge n’Abanyempano kăruhariwe irakoreshwa mw’ishure ryose rya reta muri NSW. Ifasha abigisha gusuzuma no kubona inkerebutsi n’ingene zofashwa kwiga zikanahabwa amahirwe yo kwunguka.

## Aho woronderera ayandi makuru

- Ishure ryose rya reta i NSW riratanga ivyigwa vya HPGE. Menyera vyinshi ku rubuga rw’ishure ry’umwana wawe.
- Ukeneye kuvugana n’abigisha b’umwana mu kubaza ingene ishure rifasha abana b’incabwenge cane.
- Ca ku rubuga rwa Inyigisho z’Incabwenge Karuhariwe n’Abanyempano umenye imigambi n’indinganizo.

## Hamagara abasobanuzi bagufashe

Ukeneye gufashwa mu nsobanuro ngo uvugane n’ishure umwâna wawe yigako ku vyo ingiyisho z’incabwenge kăruhariwe,ca kuri 131 450, vuga ururími, saba bahamagare iryo shure.

Umuhinga azokuronsa umusobanuzi ku murōngo agufashe mu kiyago. Ntuzorihishwa kubwo ukwo gufashwa.